Nta n'umwe muri mwebwe yokwemera bikwiye, ivyipfuzo vyiwe bitabanje gukurikiza ivyo narungikanywe mu mabwirizwa

Mu vyakiriwe na Se wa Muhamadi, Abdullahi mwene Amri mwene Al'Aaswi (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Nta n'umwe muri mwebwe yokwemera bikwiye, ivyipfuzo vyiwe bitabanje gukurikiza ivyo narungikanywe mu mabwirizwa".

[قال النووي: حديث صحيح] [رويناه في كتاب الحجة بإسناد صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko mu vy'ukuri umuntu ataba umwemeramana akwije ukwemera gutegetswe, ivyo akunda bitabanje gukurikiza ivyo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yazanye mu mabwirizwa y'ibitegetswe n'ibibujijwe, hamwe rero n'ibindi bitari ivyo, maze agakunda ivyo Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yategetse, akanka n'ivyo yabujije.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/66535